www.kidworship.kr

# Ibirori vy’ubukwe

- 5th story -



29Page

**Uwuvuga** Mu misi yakera, harabaye ibirori vy’ubukwe mu gisagara gitoyi citwa Galilaya. Yesu n’abatumwa biwe na nyina, Mariya bari muri vyo. Abashitsi bose bari aho bari mu bihe vyiza,bafata ibinyobwa n’inzimano.

**Umukuru w’ibirori** Akayabagu! Ibifungurwa birahari. Mbega mubona umukwe n’umugeni bataberewe? Hahahaha.

---



30Page


**Uwuvuga** Abari aho bose bariko barinezereza, hanyuma, ubwo nyene umusuku aza ariruka ku mukuru w’ibirori aramubwira:

**Umusuku umwe** Turagize ikibazo! Vino iraheze! Biboneka ko haje abashitsi benshi kuruta abo tawari twiteze kandi ubu nta n’ima rimwe rya vino risigaye.

**Umukuru w’ibirori** Uti iki? Nta vino isigaye? Oh tubigenza gute ga? Mbega twogira ibirori vy’ubukwe bitagira vino! Birateye ubwoba! Mbega tuzimana iki aba bashitsi bafashe urugendo bagana aha??

**Uwuvuga** Umukuru w’ibirori abura ingene abikika. Akiriko arata wakuba, Mariya nyina wa Yesu amenya ko vino yose yaheze. Aca aza kuraba Yesu.

---



31Page

**Mariya** Yesu, numvise ko vino yaheze muri ibi birori vy’ubukwe. Woshobora gufasha?

**Uwuvuga** Yesu yishura nyina wiwe Mariya.

**Yesu** Mawe, igihe canje ntikirashika.

**Uwuvuga** Mariya ntiyatahura ivyo Yesu avuze vyose, ariko yizera ko Yesu ashobora gufasha. Aca abarira abasuku ngo bakore nk’uko Yesu abategeka.

---



32Page

**Uwuvuga** Yesu n’abo basuku baregera babona imibindi itandatu. Iyo mibindi yakoreshwa mu gukaraba ku bantu bavuye kure canke mu kubika amazi yo kwoza ivyombo. Yesu abarira abo basuku.



33Page



34Page

**Yesu** Nimwuzuze amazi iyo mibindi.

**Uwuvuga** Ba basuku ntibashobora kubitahura, ariko babigenza nk'uko Yesu abibategetse. Buzuza amazi ya mibindi.

**Yesu** Daha makeyi mushire umukuru w'ibirori.

..................................................................................................

**Uwuvuga** Umukuru w'ibirori yari agita wakuba.

**Umukuru w'ibirori** Birateye ubwoba…n'ingorane! Nkore iki? Nkura hehe iyindi vino yo gukwiza aba bashitsi bose!

**Umusuku** nyakubahwa,niwakire kuri iyi vino

..................................................................................................

**Uwuvuga** Umukuru w'ibirori asomye kuri ya vino umusavyi wiwe amu-zaniye mu maso hiwe harahinduka ubwo nyene. Ntiyigeze amenya iyo iyo vino ivuye ariko araryoherwa, aca yihuta aja iyo abageni bari!

**Umukuru w'ibirori** Bose bazana inzoga izimvye ubwa mbere hanyuma abashitsi bahaze bakazana iyizimbutse; ariko mwebwe mwabitse vino iryoshe gushika ubu! Oooh! Hahahaha!

**Uwuvuga** Uwo musi abashitsi bose bari muri ivyo birori vy'ubukwe baryoherwa n'inzoga ya mbere ivuye mu mazi ihinduwe na Yesu hanyuma bagira ibihe vyiza gushitsa ibirori birangiye.